Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com

Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°846 01 Nyakanga 2025

## Amateka y'umusozi wa Mugera, Diyoseze nkuru ya Gitega




Soma ku Rup. 6

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Buhonga, Misiyoni igira gatatu mu Burundi, iriko yitegurira Yubile y'imyaka 125



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Buhonga, Misiyonari igira gatatu mu Burundi, iriko yitegurira Yubile y'imyaka 125....4
o Amatora y'abajenama b'imitumba n'amakartiye yaraye abaye ku mugaragaro....7
o Abashakiranganji bashasha ba Reta y'Uburundi....9
o Akarere sentare ifisemwo ububasha mu manza z'ivyaha n'ugusaba indishi ku caha cakozwe....11

# Idominika ya 18 : *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Ubwitonzi: 9,13-19*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ubwitonzi :

(*Ni Imana itanga ubwenge nya bwenge*)

Ni nde yoshobora kumenya imigabo y'Imana ? Ni nde yoshobora gutegera ico Umukama ashaka ? Ivyo abagenewe gupfa bahora biyumvira bigarukira hafi, ivyo bahora bipfuza birahindagurika. Nkako nyene umubiri wagenewe kubora uraremera umutima, ya nzu y'ibumba ikaremereza ubwenge ivyiyumviro vyinshi. Biratugora kumenya ibiri hano kw'isi, ibiri hafi turiruhisha cane ngo tubibone ; none, ni nde uwoshobora guhishura ibiri mw'ijuru ? Bisubiye kandi, ni nde yari kumenya ico ushaka, utabanje kumuha ubwenge n'ukumurungikira, uvuye mw'ijuru, umutima wawe mweranda ?

Uko niko inzira z'abantu bo kw'isi zigorowe, uko niko abantu bigishijwe vyo gushima, ubwenge wabahaye bukabashikiriza urukiza.

## Igisomwa ca kabiri: *Filemo 9 - 10. 12- 17*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Filemo:

(*Umushumba wawe yarabaye mwene wanyu*)

Mwananje nkunda cane: jewe Paulo naho nabaye umutama nkaba ubu ndi imbohe kubera Kristu Yezu, hari ico nshaka kugusaba cerekeye Onesimo, wa mwana wanje nivyariye mu ngoyi. Niwe rero nkurungikiye kandi uyo ameze nk'umushaha wanje. Nari n'iciyumviro c'ukumuzigama hafi yanje ngo ankorere mu kibanza cawe mu ngoyi ndimwo kubera Injili; ariko ntavyo nashatse gukora ntakugishije inama, kugira ngo iciza ukora ntikive ku gahato, ariko kive ku gushaka kwawe. Kumbure, icatumye atandukana nawe umwanya mutoyi kwari ukugirango umusubizwe imyaka yose, atakiri nk'umushumba, ariko asumba rwose umushumba, abe mwenewacu mfise ku mutima, nawe urushirizeho kumukunda mu bantu no muri Kristu.
Nuko rero, ni waba wemera ubucuti dufitaniye, n'umwakire nkuko yoba ari jewe wakiriye.

## Inkuru nziza: *Luka : 14, 25 – 33*

***Alleluya, Alleluya.***

- Inyonga zawe nizimurikire umusavyi wawe, unyigishe ivyo ushaka."

***Alleluya.***

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Uguca ubwenge ni ukwiyambura ivy'isi ugakurikira Yezu*)



Isinzi ry'abantu ryari rimugendaniye, Yezu arahindukira ababwira ati: «Umuntu niyaza iwanje ntahebe se na nyina, umugore n'abana, benewabo na bashikiwe, mbere n'amagara yiwe, ntashobora kumbera umugendanyi. Uwutikorera umusaraba wiwe ngo ankurikire, ntashobora kumbera umugendanyi. Ni nde muri mwebwe yoshaka kwubaka inzu, ntabanze ngo arabe ko afise ibiyujuje? Kugira ngo amaze gutangura ntayite ari urukankara, bose ngo bamutwenge, bavuga bati: "Uwu muntu yatanguye kwubaka inzu, ariko yamunaniye kuyuzuza". Canke, ni nde umwami yoja gutera uwundi, ntabanze kwiyumvira ko abantu biwe ibihumbi icumi bashobora gutsinda uwuje kwivunisha ibihumbi mirongo ibiri? Atabishoboye, arungika intumwa gusaba amahoro wa mwami akiri kure.

Ni ko, uwo wese muri mwebwe adashobora guheba ivyo atunze vyose, ntashobora kumbera umugendanyi.

Ibik. urup.3

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

Bavukanyi, ibisomwa vyeranda vyo kuri iyi dminika ya 23 y'umwaka w'amasabamana C, bidutumirira guca mu makanda ya Yezu, mu kureka kwishinga ivy'isi bihera, tukikorera umusaraba wacu tukamukurirkira.

Duhereye kuri iyi Nkuru nziza, Yezu yamenyesheje iri shengero rimukurikira guheba vyose kugira rimukurirkire, mu kuvuga ati: «Umuntu niyaza iwanje ntahebe se na nyina, umugore n'abana, benewabo na bashikiwe, mbere n'amagara yiwe, ntashobora kumbera umugendanyi."

Tuzirikanye neza iri jambo, turumva ko ridutera ubwoba kuko ku bwenge bw'abantu, riradusiga, ntidushobora kuritegera. Nkako, inzira z'Imana ntizisa n'inzira z'abantu, mugabo twomenya ko ivy'isi bihera. Umukama ntadusavye kwanka abavyeyi bacu canke abana bacu..., mugabo adusavye guhitamwo igisumba ikindi. Naco si ikindi ni urukundo rwiheba rwitangira abandi.

Tukamenya ko ivyo dufise vyose ari ivyo Umukama, bwaba ubuzima, abagenzi canke mbere n'amagara yacu. Naho kugira umwina w'ibishira umwanya, ntaco bimaze ni ubusa gusa; nitwame twihutira gukunda ivy'ijuru ninaho akanyamuneza kazokwamaho imyaka yose.

Twirinde guta umutwe nyabuna dushire imbere urukundo rwiheba mu gufasha benewacu, nakare abarundi barayamaze bati: "Nabirundarunde babimurenzeko, ndabisanze nawe yabisanze imbere".

Ng'iyo intumbero twoha amatungo tworondera ng'aha kw'isi: gufasha abandi, kwihebera abandi no kwikorera umusaraba wacu, tugakurikira Yezu.

None bavukanyi, umusaraba Yezu atubwira ni uwuhe? Si ibindi bishasha ni ayo magorwa y'ubwoko bwose umuntu agira mu buzima, yaba indwara, yaba uruhamo, yaba umubano mubi mu muryango, zaba n'izindi ngorane zose umuntu acamwo mu buzima bwa minsi yose n'ibindi nk'ivyo. Yezu Kristu yatugiye imbere arikorera umusaraba kandi aradupfira ku musaraba kugira ngo natwe twikorere uwacu tumukurikire.

Nkako nyene, tuzokwumva ibitubabaza mu mubiri canke tubone amaganya mu mutima. Naho nitwaba twidodomba mukuwutwara twitera nyabuna uburemere mbere tuba twiremetse ibisumbirije.

Naho twotunganya vyose nkuko tuvyiyumvira tukaroranya vyose nkuko tuvyipfuza, nta kindi tuzosanga imbere atari uko dutegerezwa kurinda amagorwa iminsi yose tubishaka canke tutabishaka, yaba umutunzi canke umworo, ategerezwa guhura n'ingorane.

Uzoba rero uhuvye niwarondera iyindi nzira atari iyo Yezu yaduciriye. Bisubiye, uko umuntu atera imbere mu gukurikira Yezu no mu bweranda ni kenshi usanga imisaraba iremereye na cane abamugwanya asanga ari benshi.

Twomenya ko uko umuntu arushiriza kwiyonkora ku vyiwe, ku matungo yiwe niko arushirizaho kuba muzima ku bw'Imana. Nta kindi rero coza gishimwa n'Imana, nta kintu cogukomeza mu nzira y'ubukiriro hano kw'isi k'ugushima kubabara kubwa benewaci no kubwa Kristu. Uwuronse ubwo buryo bwo guhitamwo, wotegerezwa gutora kurinda amagorwa kubwa Kristu hagutora kuremeshwa no guhozwa n'ivy'isi.

None rero bavukanyi, kuri uwo wese ashaka kumukurikira aramukebura icese ngo yikorere umusaraba kandi aramubwiye ati: "Uwushaka kungendanira niyihebe we nyene yikorere umusaraba wiwe ankurikire".

Iyi nzira Umukama aduciriye ntitegerwa na bose kuri bamwe n'igitsitaza ku bandi ni ubujuju, mugabo nkuko igitabu c'Ubwitonzi cabitubwiye: Ni nde yoshobora kumenya imigabo y'Imana ? Ni nde yoshobora gutera ico Umukama ashaka ? Ni Imana itanga ubwenge nyakuri bwo kuzirikana ishaka ryayo niyo itwereka inzira yo kuyishikira.

Twokora iki kugira tugendere iyi nkuru Nziza y'uyu munsi? Mukwama twimatura kuri ivyo vyose bitubuza kuyoboka Umukama. Duhereye aho turi, abantu benshi baramaze kuzirikwa n'umwina w'ivy'isi bikabatuma baheba gukurikira Umukama, abandi bagahurumbira amateka yo ng'aha kw'isi gushika aho bata n'ukwemera.

Ntitwokwibagira n'abatwagwa n'umubiri bagasigara bagenda baravura bakukumba hasi.

Tumenyeko itunga nyamukuru ko ari urukundo rwitanga rutitangiriye itama, urukundo rudutuma twakirana nk'abavukanyi. Twame twumviriza ijwi ry'Umukama we yama atuyagira akatugororera amayira akatwereka n'ibisiga bwenge bwacu.

Nkuko umutumwa Paulo yandikiye Filemo mu gisomwa ca kabiri, amumenyesha ingene yotegerezwa gufata umushumba wiwe Onezime nk'umuvukanyi.

Dusabe kwama turondera gusa na Yezu Kristu duhitemwo inzira yo kwihebera abandi mu kurinda amagorwa adushikira kubwa Kristu.

***Amen!***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Buhonga, Misiyoni igira gatatu mu Burundi, iriko yitegurira Yubile y'imyaka 125



Misiyoni ya Buhonga yitiriwe Uwasamwe atagicumuro, ni misiyoni igira gatatu yashinzwe burundu mu Burundi, inyuma ya Muyaga (1898) na Mugera (1899). Ni nayo Misiyoni yabaye imboneza y'amaparuwase yose yo mu burengero bw'Uburundi. Twimirije guhimbaza Yubile idasanzwe y'imyaka 125. Hazoba ari mu 2027.

Mu bikorwa bidufasha kwitegurira iyo Yubile, harimwo kubandanya no gusozera inyubakwa y'uburaro bushasha bw'abasaserdoti. Nkako nyene, inyubakwa ya kera y'uburaro bw'abasaserdoti imaze imyaka 118, ikaba imaze kwerekana ibimenyetso vy'ugusaza cane. Ariko na yonyene hari icipfuzo co kuzoyisanura twitonze kugira ngo ice iba ikigabiro ca kera c'Ekleziya i Buhonga.

Kubera ko ibikoresho vy'urwubako bitera bizimba, ubu ibisanzwe ngo iyo nyubakwa nshasha yuzure bingana n'amafaranga y'amarundi 637.865.400.

Birumvikana kandi ko mu kwitegrira iyo sabukuru idasanzwe hazokenerwa gushariza n'ukunagura bimwe bimwe bishaje mu ngoro y'Imana ya Paruwase. Ivyo navyo bisaba uburyo bungana amafaranga 81.933.540.

Ni muri iyo ntumbero nyene Diyoseze nkuru ya Bujumbura yasavye ikibanza co mu Bigera vya Mboza (ahahoze ikimenyetso c'umusaraba w'Umucunguzi washinzwe igenekerezo rya 2 ruheshi 1903, ngo ihategurire ikibanza c'ugusengeramwo n'ukuhagirira ingendo nyeranda (Sanctuaire de la Croix du Rédempteur).

Tuje rero kubamenyesha urwo rugendo twatanguye rutwerekeza kuri iyo sabukuru idasanzwe. Tukaba tubaterereje igisabisho be n'uburyo bwotwunganira muri iyo nteguro isaba ibitari bike. Tubaye turabakengurukira kandi tubifuriza imigisha, ngo muroranirwe mu banyu no mu mirimo yanyu ya minsi yose.

**Buhonga, Misiyoni be n'ishikiro.**

Buhonga yabaye Paruwase iba n'ishikiro, iyakiriro ry'abamisiyonari. Kubera ko abatware b'abadagi bari bashinze icicaro cabo i Bujumbura, abihaye Imana na bo vyari bi-kwiye ko bagira hafi yaho i paruwase n'inyubakwa y'ukwakiriramwo n'abandi bohanyura.

I Bujumbura bari bahafise ikibanza giteye igomwe, mugabo Kardnali Lavigeri yari yarabahanuye kutagerera hafi cane y'ahatuye abatwara igihugu , kugira ngo birinde ivyohava bibateranya, bigahungabanya amahoro.

Ni co gituma, igihe Musenyeri Gerboin yaza kw'igenekerezo rya8 kigarama 1902, azanywe n'ico kibanza nyene, yasize yumvikanye na Kapiteni Van Beringe, yaserukira umwami w'abadagi, ko yoronsa abapatiri ubwatsi ku musozi w'i Buhonga, ku birometero bishika 12 uvuye i Bujumbura. Hariho amazi, akayaga keza n'abantu benshi. Ego, ikibanza c'ukubakamwo nticari kinini, mugabo nta handi haruta aho hari kuboneka muri iyo misozi ihanamye.

Muri ico kiyago nyene, imbibe z'ikibanza zaciye zigenwa n'amafaranga yo kukigura aba aratanzwe. Patiri Swens ari we yari patiri mukuru, patiri Shulte na furera Matayo ntibatevye gushikayo n'ukugabanganya ibikorwa bizohakorerwa. Abapatiri bitwararika ikatekisimu, amashure n'amavuriro.

Furera nawe yari ashinzwe ivy'urwubako, gutera ibigazi, akawa, atibagiye umurima w'ibiraya n'ingano.

Ikindi batasize inyuma kandi cahimbaye rwose abantu baho, uhereye ku batwara, ni ukugwanya ingwe zari zigeramiye abantu.

Barubatse n'isengero i Bujumbura yafasha abakristu baje bava ahandi. Aha twovuga nk'abaganda bari baje baherekeje umunyacubahiro yitwa Gaburieli. Muri cumi na batanu bahimbarije umunsi mukuru wa pasika y'umwaka w'1903 i Buhonga.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umunyamabanga wa Reta y'i Vatikano mu bibanza bimwe bimwe: *«Amwe mu mafoto yaranze urwo rugendo»*

Foto: Chanel HARINGANJI



*Aha ni ku kibuga c'indege ca Bujumbura, abungere bacu barindiranye igishika umushitsi w'iteka « Cardinali Pietro Parolin»*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Aha yari ahejeje kururuka indege, uwo mwana mubona niwe yarahejeje kumuha ishurwe*

Foto: Chanel HARINGANJI



*Iinyuma yo gutanga ikiganiro ku bamenyeshamakuru, Cardinali Pietro Parolin asohotse hanze, yasanze ishengero ryakinje. Aho yariko arabaramutsa.*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Bukeye bwaho yaraye ashitse, arikumwe na Se Barundi, baciye basinya amasezerano y'ubumwe hagati y'igihugu c'Uburundi n'igihugu c'Ubutaliano.*

Foto: Chanel HARINGANJI



*Aho bari bahejeje gusinya amasezerano.*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Cardinali Pietro Parolin, yaragendeye ikigigo c'Abungere b'Ekleziya citiriwe ugusubiza hamwe no kurekuriranira CINOPR kiri i Kiriri, aca agenda ahaherereje Inkuka y'Imisa*

Foto: Chanel HARINGANJI



Foto: Chanel HARINGANJI

*Cardinali Pietro Parolin arikumwe n'Abungere bacu mu nyubakwa z'ikigo CINOPR i Kiriri.*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Uyu ni Cardinali Pietro Parolin*

**Chanel HARINGANJI**

# Amateka y'umusozi wa Mugera, Diyoseze nkuru ya Gitega

Umusozi wa Mugera ushasheko ikirimba ca Bikira Mariya citiriwe Bikira Mariya Mugabekazi yurijwe mw'ijuru, na Paruwase yitiriwe Antoni wi Paduwa mweranda, iherutse guterwa iteka na Papa Lewo wa 14 ryo kuba Bazirike ntoyi ku wa 15 Myandagaro 2025, wamye ari umusozi w'amateka muri kahise k'Ekleziya n'igihugu cacu c'i Burundi.

Ayo mateka ni ayahe?

***Ku bijanye n'Ukwemera.***

Nkuko babiyagiye abakristu ku wa 15 Myandagaro 2025 imbere y'uko imisa itangura ku Kirimba ca Bikira Mariya i Mugera, umutumba wa Mugera wamye ufise amateka.

Nkahandi hose mu Burundi, imbere y'umuzo w'abamisiyonari, abarundi bari basanzwe bazi Imana.

Barasenga Imana Imwe rudende, bakayisaba kandi ikabishura muvyo bayisaba. Bayita Sebibondo, Rutungaboro n'ayandi matazirano menshi baha Imana kubera ivyiza yabakorera.

Umutumba wa Mugera, wari mu bibanza bambarizamwo Kiranga, imbere yuko ubukristu bushika mu Burundi. Uwo mutumba wamye ufatwa nk'umusozi uhezagiye, umusozi urimwo Imana, ari naco catumye abakera bavuga ngo ni mu Mana za Mugera.

Kuva kera, abarundi bava mu mihingo itandukanye baraza baje kwambaza Imana, bakaza nkabaje ku rugendo rweranda, nkuko niki gihe uwo murambi uhurirwako n'abantu bava mu mihingo itandukanye baza ku kirimba ca Bikira Mariya gusenga no mu yindi minsi itari kw'igenekerezo rya 15 Myandagaro.

Mu gihe c'umuzo w'Abamisiyonari, ni ikibanza ugereranije n'ahandi coroheye izo ntumwa z'Umukama.

Mu gihe baza muri ako karere, abamisiyonari bari baje bashaka gushinga i misiyoni ahitwa i Munyinya, ku birometero bitanu uvuye kuri Bazirike Ntoyi yitiriwe Antoni w'i Paduwa mweranda. Bashitse ku kibuga ciyo Bazirike, indogobwe bariko zica zirahagarara, ziriryamira.

Barazikubita ngo zibandanye, ziranka. Ngo baca baribwira bati Imana ishatse ko i misiyoni yoja aha nyene. Baca bafata ingingo yo guca bashinga aho nyene i misiyonari. Barahubaka akazu kutwatsi ariko gasengero ka mbere kabaye ahari bazilike ntoyi ya mbere y'i Burundi.

Iyo paruwase iraheza iraterwa amateka, niyo yabaye Catedrale ya mbe-re muri Ekleziya y'U-burundi.

Mu mwaka 1922 Musenyeri Yuliyano Gorji yashimye kuba i Mugera. Inteba ya mbere y'umwungere mu Burundi iba ibaye i Mugera.



Iryo teka niryo ryatumye Papa Lewo wa 14 aduza paruwase ya Mugera ikaba Bazirike ntoya yitiriwe Antoni w'i Paduwa mweranda.

Ni muri iyo sengero ya Paruwase ya Mugera batiriyemwo abasaseredoti ba mbere muri Ekleziya y'Uburundi ku wa 19/12/1925 imyaka ijana irakwiye. Abo nabo bakaba ari patiri Patrice Ntidendereza na patiri Emile Ngendagende.

***Ku bijanye na kahise k'igihugu.***

I Mugera niho havukiye abami babiri bahambaye, Ntare Rugamba n'umuhungu wiwe Mwezi Gisabo.

Uwo mutumba wafatwa nk'umutumba w'amahoro. Mu gihe c'intambara abantu barahahungira.

Uwahahungira yaba azi ko ataco aba kuko abansi batashobora baduga kuri uwo musozi, bose baguma mu kiyaya cawo.

Mugera niyo muvyeyi w'amashure yisumbuye yose y'i Burundi, kuko ariho hatanguriye ishule rya mbere mu Burundi, aho ku wa 11/2/1926 Nyenicubahiro Musenyeri Yuliyano Gorji yugurura i Seminari ntoyi ya Mugera, imyaka ijana ikaba yegereje gukwira neza.

Imbere yaho, abanyeshule bahejeje amashule matoyi baca baja kubandaniriza mu bihugu bibanyi. amashule yisumbuye.

Iryo shule rimaze kuramura abanyeshule barenga ibihumbi 27. Muri abo harimwo abasaseredoti barenga 400, abepisikopi 15, umukuru w'igihugu n'icegera c'umukuru w'igihugu n'abandi bategetsi b'igihugu batari bake.

I Mugera niho kandi mu mwaka 1940 hatangura irindi shule ry'abigeme ritangujwe n'ababikira b'Umugabekazi wa Afrika. Ayo akaba amateka ya Mugera

Ayo mateka ya Mugera ni yo yatumye Mugera iba umwana w'Ekleziya n'igihugu ku wa 15 Myandagaro 1961 aho abaserukira igihugu n'Ekleziya begurira Uburundi Imana baciye kuri Bikira Mariya.

Uwo mugirwa ukaba uguma usubirwamwo uko umwaka utashe ku wa 15 Myandagaro.

***MSV M. Goreth Ndikumana***

# Amatora y'abajenama b'imitumba n'amakartiye yaraye abaye ku mugaragaro



Ku wa mbere igenekerezo rya 25 Myandagaro 2025, abarundi bazindukiye gutora abajenama ku mitumba no ku makartiye. Ayo matora akaba yabereye mu gihugu cose kandi yitabwe n'isinzi ry'abarundi cane cane uhereye ku barongozi b'igihugu c'Uburundi.

Amatora y'abajenama b'imitumba arakomeye kuko ni bo bazi ingorane z'abenegihugu.

Umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye n'umutambukanyi wiwe Angeline Ndayishimiye batoreye aho Umukuru w'igihugu avuka. Ku mutumba Musama muri zone Kabanga, komine Gitega.

Mw'ijambo yashikirije ahejeje gutora, Umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye yamenyesheje ko amatora y'abajenama b'imitumba ari amatora akomeye cane kuko ngo ni bo begereye abenegihugu kandi ngo ni bo bazi ingorane abo batwara baba bafise.

Ivyo yabivuze mu gihe naho vyibonekeza ko abanyepolitike badahurumbira kandi badashuhijwe umutwe n'aya matora y'abajenama b'imitumba.

Umukuru w'igihugu avuga ko ari kubera babona ko ata nyungu babikuramwo ariko we ngo arabibonamwo inyungu kuko abo bajenama ari bo batunganya ubuzima bw'umutumba.

**Patiri Noël Ntirandekura**

## Abatowe nibaserukire neza abenegihugu

Ku kibaza c'itora co kuri ECOFO sainte Bernadette muri karitiye Muremera, mu gisagara ca Ngozi, amatora yatanguye igihe c'isaha cumi na zibiri z'agatondo (6h00), nk'uko twabibwiwe n' uwujejwe amatora. Muri ico kibanza,
Hakaba hitezwe gutorera abantu 5 832. Hitoje abantu 8 bagizwe n' abagabo 4 n' abakenyezi 4. Aho twahashika igihe c' isaha imwe n'iminota 45 nta barorerezi bari bwashike. Muri ico kibanza nyene akaba ari ho umuhuza w' abarundi Aimée Laurentine KANYANA yatoreye. Mw ijambo yashikirije, yavuze ko abarongoye imi-



tumba ari bo begereye abenegihugu bakamenya n' ingorane bafise. Akaba abahamagarira rero kuzotangira inyishu y'ibibazo abenegihugu bafise. Abenegihugu na bo akaba yabasavye kuyoboka abo bazoba bitoreye.

**Patiri Noël Ntirandekura**

## Umutumba niwo mushinge w'iterambere

Umushikiranganji wa mbere wa Reta y'Uburundi, Nestor Ntahontuye, yaranguriye igikorwa co gutora abakuru b'imitumba n'ama quartiers, kw'ishure nshingiro rya Munyinya, ku mutumba Munyinya zone Rukobe muri komine Gisuru, y'intara ya Buhumuza.

Mw'ijambo yashikirije ahejeje gutora, yamenyesheje ko yitabiriye ayo matora kuko ashaka iterambere ngo kuko umutumba ari wo mushinge w'iterambere.Yateye akamo abagiye gutorwa guca baja ku kivi bateze imbere abo barongoye.

Umushikiranganji wa



mbere yemeye ko Reta arongoye izokwama hafi izo ndongozi ziza gutorwa, kugira ngo ibikorwa vyose vy'iterambere ku mutumba bikorwe ngo kuko iterambere ribonetse ku mutumba, rica rikwira igihugu cose.

**Patiri Noël Ntirandekura**

# Amatora y'abajenama b'imitumba n'amakartiye yaraye abaye ku mugaragaro

**Amatora y'abajenama b'imitumba yagenze neza muri komine Matongo**

Umukuru w'Inama Nshingamateka, Daniel Gélase Ndabirabe, yatoreye ku mutumba avukako wa Ruvumu muri komine Matongo y'intara ya Butanyerera. Akaba yahahuriye n'icegera c'uwurongoye umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora, Victoire Nahimana.

Ahejeje gutora, umukuru w'Inama Nshingamateka Daniel Gélase Ndabirabe yashimiye abarundi bazindutse bitorera indongozi zibegereye.

Akaba yamenyesheje ko ayo matora y'abajenama bo ku mutumba afise akamaro ntangere ngo kuko ni yo ntango y'ubutegetsi bw'igihugu, eka n'iterambere riraheza rigakurikira. Daniel Gélase Ndabirabe akavuga ko ayo matora yerekana neza ko intwaro rusangi yatsimbataye mu Burundi kandi ko yanyengetereye mu barundi.

Biciye muri ayo matora, abenegihugu berekanye ishaka ryabo ryo gushika ku mbonakazoza y'igihugu. Akavuga mbere ko ahubwo ari nk'indahiro bihaye kugira ngo berekane ko ico abarundi bihaye nk'ihangiro bategerezwa kugishikako.

*Patiri Noël Ntirandekura*




*Ikarata yerekana amakomine 42 mashasha mu Burundi*




*Tugiye gukora twisunze imbonakazoza 2040-2060 nk'umushinge w'iterambere*

Umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD Révérien Ndikuriyo yitabiriye amatora y'abazorongora imitumba.Yatoreye ku mutumba Sampeke asanzwe avukako.

Ahejeje gutora, yavuze ko uyu mwaka wa 2025 ari intango yo gushira mu ngiro imbonakazoza ya 2040 -2060. Avuga ko ku mutumba Sampeke bagiye gukora bisunze iyo imbonakazoza.

Yasavye abari biteze gutorwa gushira mu ngiro iyo mbonakazoza bahereye ku migambi iteza imbere ingo kuko urugo ariwo mushinge w'iterambere ku mutumba.

Yamenyesheje ko hazojaho abantu bazoba bajejwe kuraba ko abatowe bakora neza.

Yasubiye kugabisha abo bose boba batanze amafaranga menshi mu kwiyamamaza baziga kwisubiza ayo batanze inyuma yo gutorwa , mu kurya ibiturire no kunyonyeza amatungo y'igihugu.

*Patiri Noël Ntirandekura*

**Abari bagize ibiro vy'itora 4 bari mu minwe y'ubutungane.**

Umukuru w'umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora CENI ahejeje gusohora itangazo aho yemeza ko amatora ariko aragenda neza muri rusangi naho hariho utunenge tumwe tumwe tumaze kwibonekeza.

Muri iryo tangazo, amenyesha ko kuri bimwe mu biro vy'itora vyo kw'ishure Gihosha School muri quartier Gikungu, zone Gihosha, komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura abagize ibiro bafashwe bariko baruzuza amakarata y'itora, bashirako uwitwa Chançard Nimbona. Yamara ngo ayo makarata ntiyari bwashirwe mu gasandugu k'amatora.

Bane rero bafatanywe itonga ngo bakaba bari mu minwe y'ubutungane. Agasaba ko hoba urubanza rw'ikibiriraho kuri ivyo vyabaye kugira ngo ukuri kuje ahabona ningoga.

Uwo arongoye umugwi CENI avunira akagohe abagize ibiro vy'itora bose kumera magabo kugira utunenge nk'utwo ntidusubire kwibonekeza maze amatora abandanye kugenda neza.

Ku kijanye no gutuma uwugutorera (procuration) ngo umuntu yemerewe gutorera umuntu umwe, kandi bategerezwa kuba bari ku rutonde rumwe rw'abatora.

Mu gihe rero abaporisi, abasirikare n'abamenyeshamakuru ari bo bari bemerewe gutorera aho batiyandikishirije,

Ibikur. urup. 9

# Amatora y'abajenama b'imitumba n'amakartiye yaraye abaye ku mugaragaro

uwurongoye umugwi amenyesha ko basanze ari vyiza ko bokwongeramwo n'abanyeshure kuko hari abari mu buruhuko iyo batiyandikishirije.

Amatora yatanguye neza kandi ku masaha muri rusangi naho abatora batakerebutse cane nko mu matora aheruka.

Ivyo ni ivyamenyeshejwe na Prosper Ntahorwamiye arongoye umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora CENI mu kiganiro yagiraniye n'urunani rw'ibinyamakuru.

Uwo arongoye umugwi CENI, asaba abatora ko botora batatu nk'uko itegeko ribivuga kuko ngo batoye umuntu umwe umwe wosanga ku mutumba hatowe abadashika 5. Yibutsa ko uwurengeje gutora batatu ijwi ricika impfagusa.




Prosper Ntahorwamiye avuga kandi ko umuntu atazi gusoma no kwandika niwe yibangikanya umuntu yizeye amufasha, abatemewe ngo ni bamwe bicara ku biro vy'itora ngo barindiriye abo baza kwandikira.

Umukuru w'umugwi CENI amenyesha ko umukuru w'ibiro vy'itora ahejeje guharura nticobuza ko abamenyeshamakuru bavuga ivyavuye mu matora. Ntahorwamiye ahamagarira abakozi ba CENI gukora bakurikiza amategeko, kurangwa n'ubwitonzi n'ubukerebutsi kugira amatora ahere kare.

Abitoza nabo ngo bagire umutima wo gukunda igihugu no kutikunda birengeje.

Ntiyibagiye kwibutsa ko kugira umuntu atorwe ari uko aba afise uburenganzira bwo gutora, kuba ari umurundi, kuba aba canke afise urugo ku mutumba canke quartier yitorezamwo, kuba afise imyaka 25 ikwiye no kuba azwi neza mu kibano.

***Patiri Noël Ntirandekura***

---

# Mu Burundi, uzogire urugo ruhire.

*Umusore umwe yari mu nteguro zo kwubaka urwiwe, akama hafi ya Se kugira amuhe impanuro zomufasha nawe akazogira urugo rwiza nk'uko yabona iwabo, Se na Nyina babanye mu mahoro!!*

*Umusi umwe ku mugoroba, uwo musore atashe avuye ku kazi, asanga Se yicaye mu ruganiriro (salon), aca yicara iruhande ya Se, baba baraganira!!*

*Haheze akanya, Nyina w'umusore azanira Se w'umusore akarete (omelette) yamuteguriye. Umusore agize gutya, abona ako karete kazigiye cane!!*

*Yiteze ko Se yidoga, abona ahubwo Se atanguye gufungura ka karete amwenyura, aryohewe!! Umugore wiwe (Nyina w'umusore) bimutera isoni n'agahinda, aca bugufi, asaba ikigongwe umushingantahe wiwe, Ati:»Mutama wanje, urambabarira, nasamaye karanzigirana!!»*

*Wa mutama (Se w'umusore) yishura umugore wiwe ati:»Oh, mutima wanje w'urugo, ndakunda utuntu nk'utu tuzigiye, tuba turyoshe cane!!»*

*Mw'ijoro, bagira baje kuryama, wa musore yihereranya Se, aramubaza ati: «Papa, vy'ukuri nyene urakunda utuntu tuzigiye?»*

*Se aca amufata ku rutugu, amubwira ati: «Mwananje, nyoko wa-we yirigwanye akazi kenshi, kandi yarushe arahwera kugira aturonderere ivyo dufungura, ubona vy'ukuri nari kwubahuka nkamugayira n'akigoro yagize?»*

*Yongera ati: «Ikindi naco, burya utuntu tuzigiye ntawe twishe, ariko ijambo ribi rishobora kwica rubi umutima w'umuntu!!»*

*Asubira ati: «Rero mwana wanje, wamye unsaba impanuro z'uko wokwigenza mu rugo rwawe, ngizi: Uzoze urigora ushima ivyo uwo mwubakanye agukorera, naho yoba atabikoze nk'uko wewe uvyipfuza, igikuru ni uko aba yari afise intumbero yo kugushimisha,»*

*«Kandi wirinde kwama wamubwiye amajambo ababaje, kuko akajambo kamwe kabi, karashobora gutuma urugo rwawe rusambuka, ivyiza vyose mwacanyemwo bikaba ubusa,*
*Kurya agakara gato, gashobora guturira ishamba rinini rigacika umunyota, niko n'ijambo ribi rimwe rishobora gusambura ivyo twubatse imyaka myinshi!!»*
*«Kuri ubwo mwananje, ndakwipfurije uzogire urugo ruhire!!»*

*Mwaramutse neza mwese, muze muripfuriza ineza imiryango.*
*Umusi mwiza*

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Akarere sentare ifisemwo ububasha mu manza z'ivyaha n'ugusaba indishi ku caha cakozwe

Icaha ni ico cose umuntu akoze, yirengagije gukora kigaragara nk'igihungabanya umutekano kandi itegeko mpanavyaha ni ryo ryonyene ryerekana icaha ico ari co kandi rikanategekanya igihano canke ibihano bitegekanijwe kuri ico caha.



Uwakorewe icaha canke umuryango wiwe, arafise uburenganzira bwo gusaba indishi ku caha cakozwe.

Urubanza rwerekeye gusaba iyo ndishi rurashobora gukurikiranirwa rimwe n'urubanza rw'ivyaha imbere ya sentare imwe canke rugashingwa mu yindi sentare itari iyiriko ikurikirana urubanza rw'icaha.

Mu kwerekena akarere sentare ifisemwo ububasha mu manza z'ivyaha, tuja kwisunga ibiri mw'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/26 ryo ku wa 26 kigarama 2023 rihindura ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 rishinga igitabu c'amategeko agenga itunganywa n'ububasha bwa sentare.

Tuja gushimikira ku bubasha bwa sentare mu manza z'ivyaha ugereranije n'aho icaha cakorewe, uwagikoze n'abafadikanije kugikora.

Umuntu arashobora kwibaza ati ni sentare iyihe ifise ububasha bwo guca urubanza :

* Mu gihe uwakoze icaha n'uwagikorewe bataba mu turere tumwe ?

* Mu gihe uwagirizwa icaha atagikoreye mu karere asanzwe abamwo ?

* Iyo umuntu yakoze ivyaha vyinshi bishobora gukurikiranwa muri sentare zitandukanye ?

Iri bwirizwa twavuze ko twisunga riratomora sentare zifise ububasha muri ico gihe.

Mu manza zerekeye ivyaha, sentare zifise ububasha bwo guca izo manza z'ivyaha ni izi zikurikira : sentare y'aho icaha cakorewe, sentare y'aho uwagirizwa icaha afise urugo canke aba hamwe na sentare y'aho uwagirizwa icaha basanze ari nk'uko ingingo y'136 ibivuga.

Iri bwirizwa riratomora sentare ifise ububasha bwo guca urubanza mu gihe sentare zibiri ziriko ziburanisha imanza zibiri zifise intumbero imwe.

Tubisanga mu ngingo y'137 ivuga ko mu gihe imanza zibiri zifise intumbero imwe kandi zatewe n'ikintu kimwe, ziriko ziburanishwa muri sentare zibiri zitandukanye, hagati ya sentare y'ahakorewe icaha na sentare y'aho uwagirizwa icaha aba, iyitorwa ngo ice urwo rubanza ni sentare y'aho uwagirizwa icaha aba ; hagati naho ya sentare y'aho uwagirizwa icaha aba na sentare y'aho uwagirizwa icaha yafatiwe canke apfungiwe, iyitorwa ngo ice urwo rubanza ni sentare y'aho aba.

Ingingo y'138 ivuga ko mu gihe abantu benshi bakurikiranwa nk'abakoreye hamwe icaha canke nk'abafashije mu kugikora canke mu gukora ivyaha bifitaniye isano n'icaha cakozwe, sentare ifise ububasha bwo guca urubanza rwerekeye icaha gikomeye gisumba ibindi muri ako karere ni yo ifise ububasha bwo guca imanza zerekeye ivyaha vyose.

Iyo umuntu yakoze ivyaha vyinshi bishobora gukurikiranwa muri sentare zitandukanye, iri bwirizwa rirategekanya sentare ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

Bitegekanijwe n'ingingo y'139 ivuga ko mu gihe umuntu akurikiranwa mu gihe kimwe ku vyaha vyinshi bifitiwe ububasha na sentare zitari ku rugero rumwe kandi zitajejwe bimwe, sentare isanzwe yo ku rugero rwo hejuru ni yo ifise ububasha bwo guca izo manza zose.

Iyi ngingo ibandanya ivuga mu gace kayo ka kabiri ko mu gihe abantu benshi bakurikiranwa ku caha kimwe ariko bategerezwa gucirirwa imanza na sentare zitajejwe bimwe kandi zitari ku rugero rumwe, sentare isanzwe yo ku rugero rwo hejuru ni yo ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

N'aho umusirikare afise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza muri sentare za gisirikare, iyo yafadikanije n'umwenegihigu asanzwe gukora icaha, sentare isanzwe ni yo ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

Ibikur. urup. 11

# Akarere sentare ifisemwo ububasha mu manza z'ivyaha n'ugusaba indishi ku caha cakozwe

*(Bitangurira ku rup.10)*

Tubisanga mu ngingo y'140 ivuga ko mu gihe umusirikare umwe canke benshi bakoze icaha bafadikanije n'umwenegihugu asanzwe umwe canke benshi, sentare isanzwe ni yo ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

Ugusaba indishi ku caha cakozwe

Iyo icaha cakozwe, uwakorewe icaha canke abafise uburenganzira ku matungo yiwe ni bo bashobora gushingisha urubanza rwo gusaba indishi.

Iyo bikenewe, naho ni umushikirizamanza. Muri ico gihe, umuntu asaba indishi ku caha cakozwe arashobora gushingisha urubanza muri sentare iriko ira-kurikirana urubanza rw'icaha.

Tubisanga mu ngingo ya 144 mu gace kayo ka mbere aho ivuga ko hirengangijwe ingingo zijanye n'ububasha bwa sentare bwa sentare mu manza z'amatati zerekeye ibintu mu karere ifisemwo ububasha, urubanza rwerekeye gusaba indishi ku caha cakozwe rurashobora gukurikiranirwa rimwe n'urubanza rw'ivyaha imbere ya sentare imwe.

Iyi ngingo ibandanya ivuga mu gace kayo ka 3 ko hatarinze kurabwa uwakorewe icaha uwariwe, ingingo yo gusubiza ibintu uwakorewe icaha yabuze ica ifatwa na sentare bitarinze gusabwa, mu gihe vyatowe bikiri uko vyari kandi akaba atawuhakana ko uwubisubizwa ari we nyene vyo.

Umushikirizamanza arashobora gusaba indishi mu gihe uwakorewe icaha adashobora kwiburanira imbere ya sentare canke adafise uwumuserukira imbere y'amategeko.

Bitegekanijwe mu ngingo 145 ivuga ko mu gihe uwakorewe icaha ari umuntu adashobora kwiburanira muri sentare akaba adafise uwubimufashamwo canke uwumuserukira imbere y'amategeko, sentare yituwe kuri ico caha ica ishinga kandi indishi zishobora gutangwa hisunzwe amategeko, bisabwe n'umushikizamanza.

Uwakorewe icaha canke abafise uburenganzira ku matungo yiwe ni bo bashobora gushingisha urubanza rwo gusaba indishi.

Tubisanga mu ngingo y'146 mu gace kayo ka mbere aho ivuga ko urubanza rwo gusaba indishi ku vyononekaye biturutse ku caha gikomeye, ku caha gisanzwe canke ku caha gitoyi rushingishwa n'uwakorewe icaha canke abafise uburenganzira ku matungo yiwe.

Iyi ngingo ibandanya ivuga kandi mu gace ka 2 ko n'aho uwusaba indishi afata ingingo yo guheba urwo rubanza burundu canke ivy'agateganyo ntibishobora guhagarika urubanza rw'icaha, kiretse mu bihe amategeko ashinga ko rusubira kuburani-shwa bisabwe n'uwakorewe icaha.

Urubanza rwo gusaba indishi rurashobora gushingwa mu yindi sentare itari iyiriko ikurikirana urubanza rw'icaha.

Tubisanga mu ngingo y'148 mu gace kayo ka mbere kavuga ko urubanza rw'amatati rwerekeye gusaba indishi ruturutse ku caha cakozwe rurashobora gukurikiranwa muri sentare ica imanza z'amatati, urw'ivyaha na rwo rugashingishwa ahandi.

N'aho urubanza rwo gusaba indishi ruba rwashingishijwe, urwo rubanza rw'amatati rurabangirwako igihe cose sentare iba itarafata ingingo nta banduka ku rubanza rw'ivyaha mu gihe rwamaze gushingishwa.

Urubanza rwo gusaba indishi rurashobora gushingishwa naho urubanza rw'ivyaha rwoba rwaramaze guta igihe co gukurikiranwa.

Ingingo y'152 mu gace kayo ka 2 itegekanya ko mu gihe hamaze gushingwa ingingo ntabanduka ku rubanza rw'icaha kandi igihano mpanavyaha caratanzwe, urubanza rw'amatati yaturutse ku caha rushobora kurungikwa muri sentare ica imanza z'amatati ibifitiye ububasha kandi urwo rubanza ruta igihe co gukurikiranwa haciye imyaka 30 iharurwa kuva sentare ifashe ingingo ntabanduka ku rubanza rw'icaha.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko icaha kimaze gukorwa, sentare ifise ububasha ni sentare y'aho icaha cakorewe ; sentare yaho uwagirizwa icaha afise urugo canke aba hamwe na sentare yaho uwagirizwa icaha basanze ari.

Mu gihe abantu benshi bakurikiranwa nk'abakoreye hamwe icaha canke nk'abafashije mu kugikora canke mu gukora ivyaha bifitaniye isano n'icaha cakozwe, sentare ifise ububasha bwo guca urubanza rwerekeye icaha gikomeye gisumba ibindi muri ako karere ni yo ifise ububasha bwo guca imanza zerekeye ivyaha vyose.

Twabonye kandi ko uwakorewe icaha canke abafise uburenganzira ku matungo yiwe bashobora gushingisha urubanza rwo gusaba indishi.

Urwo rubanza rushobora gukurikiranirwa rimwe n'urubanza rw'ivyaha imbere ya sentare imwe canke rugashingishwa mu yindi sentare. Kandi n'aho uwusaba indishi yofata ingingo yo guheba urwo rubanza burundu canke ivy'agateganyo ntibishobora guhagarika urubanza rw'icaha.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ubutumwa bw'Umukristu mulayike muri Ekleziya no kw'isi

Ihwaniro kaminuza ry'umuryango Katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda ryabaye kuva kw'igenekerezo rya rya 4 Myandagaro risozerwa kw'igenekerezo rya 9 Myandagaro muri Foyer de Charité i Bujumbura, ryaranzwe n'imyanya yo gusenga no kwigishwa. Mu nyigisho zari zitegekanijwe, Musenyeri Anatole Ruberinyange, icariho c'Umwungere mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, yigishije ku butumwa bw'umukristu mulayike muri Ekleziya no kw'isi.

Nk'uko abivuga, ngo Ekleziya igizwe n'abaturongoye aribo Papa, abepiskopi n'abasaserdoti, ikongera ikagirwa n'abakristu balayike. Umukristu Malayike rero ngo yokumva ko uruhara rwiwe rudasanzwe, ko mbere umukristu mulayike nawe ari mubarongoye Ekleziya ku ruhara rw'iwe.

Mw'ibwirizwa shingiro ryabaye mu nama nkuru ya Vatikano ya kabiri, "Ekleziya umuco mu bantu" ngo niho hadondorwa neza ico umukristu mulayike ari muri Ekleziya: Umulayike ni uwuri mu muryango w'abakristu atari umusaserdoti canke atihebeye Imana. "Uwabatijwe wese rero ni umulayike mu gihe atihebeye Imana canke atari umupatiri".

Nk'uko Musenyeri Anatole abandanya abivuga, igihambaye ngo ni kuba Umukristu, ni kuvukana na Yezu Kristu mw'ibatisimu, ni kugendera indagano z'ibatisimu, kandi izo nazo bose bazihurira. Augustino Mweranda igihe ahejeje kwatirwa, mw'ijambo ryiwe, yagize ati: "Egome ndahejeje kwatirwa nk'umwepiskopi, ariko ico nshigaje ni kuba umukristu."

Umukristu mulayike rero, arafise ubutumwa budasanzwe nk'uwabatijwe. Nico gituma uruhara rw'umukristu murayike mukwubaka Ekleziya n'isi ari uruhara rudasanzwe: "Turi ku muzingi, Yezu nawe ari hagati yacu. Ntawuri hejuru y'uwundi. Twese dufise uruhara rumwe n'ihangiro ni rimwe: kuba beranda".

**Inkomoko y'ubutumwa bw'umukristu mulayike**

Ubwo butumwa bukomoka kuri Yezu Kristu ubwiwe. Mw'isakramentu ry'ibatisimu niho duhabwa ubwo butumwa. Muri iryo sakramenteu, hari umugirwa winjiza uwubatizwa mu muryango w'abana b'Imana akaronka kandi n'ububasha bwo kuba ingingo ya Kristu mukurungikwa muri Ekleziya.

Ubwo bubasha bwo kuba umwana w'Imana nk'uko Yohani abidondora mukigabane ca mbere umurongo wa cumi na kabiri, "abemeye izina ryiwe, abamwakiriye bose yabahaye ububasha bwo kuba abana b'Imana."

Mw'ibatisimu tuvuka mu mazi no muri mutima:

• Mu mazi: ibatisimu y'amazi ni ikimenyetso co kuvuka ukundi gusha, urupfu rw'umuntu wa kera n'izuka mu buzima bushasha muri Yezu Kristu.

• Muri Mutima: kuvuka muri Mutima ni igikorwa ca Mutima Mweranda atanga ukwemera kandi agahindura imbere mu muntu, agahindura umuntu wese maze uwo muntu akagira ububasha bwo kuba umwana w'Imana.

Umuntu rero abatijwe ahinduka wese. Ntaguma ari wawundi. Ubuzima bwiwe bwose buca buba ubushingiye ku Mana atari ubushingiye ku muntu canke ku bintu.

Ekleziya rero nk'umubiri w'akristu ni ikoraniro ry'ababatijwe. Ababatijwe bose ni umubiri wa Kristu. Tutarikumwe na Yezu rero ntaco twokwishoboza.

Nka kurya rero atarugingo na rumwe rw'umubiri rw'icara rutarwaye kandi ingingo zose zigakora ku neza y'izindi ngingo zigize umubiri wose, niko n'umukristu yabatijwe adashobora kubaho adafise ico ariko arakora muri Ekleziya.

Turi bamagiriranire muri Ekleziya, nta sindabibazwa mu bukristu. Turahamagariwe kwitanga mu butumwa, umwe wese ashinzwe mugenzi we. Ntihagire uwusiga-nya uwundi kuko tugize urunani, nk'ingingo z'umubiri umwe.



*Mélance Ndayikeze*